Ubutumwa Burungikiwe Umuvyeyi:

Ku mperekeza y'inyandiko hariko Inyadiko Igenewe Umuvyeyi irimo amakuru ahambaye asigura ingene woronka Icemeza c'Amavuka c'umwana wawe.

Ntiwirengagize iyi Nyandiko Igenewe Umuvyeyi.

Nyabuna tohoza neza iyi nyandiko. Amakosa arashobora gukosorwa indwi zibiri zitarahera urungikiye Reta ya New Hampshire idosiye imenyesha ivuka ry'umwana wawe uteye akamo mu Gisata Kijejwe Kwihweza Ingorane z' Abavyeyi mu Ivuriro rya Concord Hospital.

Ivyemeza vy'Amavuka Vyemewe Biriko Ikashe biboneka mu Bubiko bwa Reta ya New Hampshire bw'Inyandiko z'Amavuka buri kuri 71 Fruit Street Concord, NH. Urashobora kandi kubaza ku biro vy'Umunyamabanga wo mu Gisagara c'aho utuye kubera ko ahenshi mu Biro vy' Umunyamabanga w'Igisagara batanga Ivyemeza vy'Amavuka Vyemewe Biriko Ikashe.

Hari amahera utegerezwa kuriha kuri buri kopi y'icemeza c'amavuka c'umwana wawe.

Ibiro vy'Igisagara ca Concord biri kuri Green Street nivyo bijejwe gutorera umuti ingorane zibiri zikwirikira :

- Iyo utahuye amakosa muri iyi nyandiko igenewe umuvyeyi indwi zibiri zaraheze umwana wawe avutse.
- Iyo utubakanye mu buryo bwemewe n'amategeko na se w'umwana kandi atarujuje Ifishi ashizeko indahiro Yemeza ko ari Se w'Umwana mu Ivuriro rya Concord Hospital.

Ndagukengurukiye,

Igisata Kijejwe Kwihweza Ingorane z'Abavyeyi